IBANKI YA REPUBLIKA
Y'U BURUNDI

# ITANGAZO

Mu ntumbero yo gukurikiza itegeko rigenga ikoreshwa ry'amafaranga mvamakungu mu Burundi ryo kw'igenekerezo rya 17 nyakanga 2019, Ibanki ya Republika y'Uburundi iribukije ibi bikurikira :

1. Amafaranga yemewe gukoreshwa mu gihugu c'Uburundi ni amafaranga y'amarundi. Kuri iyo mvo, ibidandazwa vyose ku gataka k'Igihugu c'Uburundi bitegerezwa kurihwa mu mafaranga y'amarundi.

2. Ingenzi mvamakungu zipfuza kurangura ibidandazwa mu Burundi zitegerezwa kuvunjishiriza amafaranga mvamakungu yabo mu mashirahamwe abifitiye uburenganzira yahawe n'Ibanki ya Republika y'Uburundi ; nukuvuga ama Banki hamwe n'amashirahamwe yemerewe kuvunja amafaranga mvamakungu (bureaux de change).

3. Mu gusohokana ibidandazwa hanze y'Igihugu, ingenzi mvamakungu zitegerezwa kwerekanwa, ku bisata bijejwe gucungera ibidandazwa vyinjira n'ibisohoka hamwe n'uruja n'uruza rw'abantu ku mbibe z'Igihugu, urupapuro rwemeza ivunjwa ry'amafaranga mvamakungu mu mafaranga y'amarundi yakoreshejwe mu kurangura ivyo bidandazwa. Ivyo bisata vyo ku Mbibe bitegerezwa gushira ikimangu (ikidodo) kuri izo mpapuro zemeza ivunjwa imbere yukureka ko ibidandazwa birenga imbibe.
   Mu gihe, izo ngenzi zitoba zifise urwo rupapuro rwemeza ivunjwa ry'amafaranga mvamakungu mu mafaranga y'amarundi yakoreshejwe mu kurangura ivyo bidandazwa, zitegerezwa kwerekana, ku bisata bijejwe gucungera ibidandazwa vyinjira n'ibisohoka hamwe n'uruja n'uruza rw'abantu ku mbibe z'Igihugu, iyo zakuye amafaranga y'amarundi yakoreshejwe mu kurangura ivyo bidandazwa.

4. Ingenzi ziva canke ziza mu gihugu c'Uburundi zitegerezwa kumenyekanisha amafaranga zitwaje mu gihe ayo mafaranga arenga : (i) ibihumbi amajana abiri vy'amarundi (200 000) mu noti, (ii) igihumbi (1 000) mu biceri canke (iii) ibihumbi cumi (10 000) vy'amafaranga y'abanyamerika canke ayangana nayo mu yandi mafaranga mvamakungu.

Bigiriwe i Bujumbura, kuwa 26 munyonyo 2019

**CIZA Yohani**

**Umuyobozi w'Ibanki ya Republika y'Uburundi**

BANQUE de la REPUBLIQUE du BURUNDI BRB